Ingingo Zitangajwe n’Akarere k’Amashuri ya Leta ka Jefferson

Amashuri y’Akarere afita Ubwugamo bw’umutekano

Naho, Urukiko Rukuru rwa Leta Zunze Ubumwe rwashinze itegeko ko ata karere k'amashuri ya Leta kanzankira umwana kwiga kubuntu mu mashuri ya Leta bitumwe nuko atari kavukire; byongeye

Naho, indimi 136 ari zo zivurwa n'abanyeshuri bo mu karere k'amashuri ya Jefferson (JCPS), ibice 7 kw'ijana by'abanyeshuri 101,000 ba JCPS biga badafita ubumenyi bukwiye bw'Icyongereza, byongeye ibice 6 kw'ijana baronka amaserevisi yo kwiga Icyongereza nk'Ururimi Atari Kavukire(ESL); byongeye

Naho, abanyeshuri bakeneye amaserevisi yo kwiga Icyongereza k'Ururimi Atari Kavukire (ESL) ari wo murwi ukura vuba na vuba mu karere; byongeye

Naho, ibice 55 kw’ijana vy’abanyeshuri ba JCPS ari abana atari abazungu, bagizwe n’ibice 37 kw’ijana by’abavuye muri Afirika, 10 kw’ijana by’aba hispanic, 4 kw'ijana bavuye muri aziya, na 4 kw’ijana by’ubundi bwoko; byongeye

Naho, muri JCPS inshingano yacu ari guha ikaze no kurera abana bose tutarebye ko atari ba kavukire, tugahimbarwa n’inkunga baduturera mu nyigisho z’imiturire yacu, byongeye ntizabuzwa cyangwa ngo iterwe ubwoba bwo gushyika kuri iyo nshingano; byongeye

Naho, JCPS yishingana ko amashuri yacu yose afita umutekano kandi ko ari ibibanza byakira neza abanyeshuri bose n’imiryango yabo; byongeye

Naho, uburezi, umutekano, imbamutima yo kubaho neza by'umubare mwinshi w’abanyeshuri, byongeye ko ubuvandimwe bw’imiryango bifita ibibazo kubera kavukire kabo, biriho, kandi bizaba ubutaha, kwiyandikisha muri JCPS; byongeye

Naho, gushira mu ngiro itegeko ry’abatari bakavukire rya Leta Zunze Ubumwe rifita ingaruka nini ku nyigisho z’abanyeshuri bose, utarebye kavukire; byongeye

Naho, ata tegeko rya Leta zunze Ubumwe cyangwa rya Leta ritegeka ishuri ryo mu karere, gushyira ibikoresho, amafaranga cyangwa ibindi, mw'ishirwa mu ngiro ry'itegeko rya Leta Zunze Ubumwe ry’abatari kavukire; byongeye

Naho, abakozi bo mu burezi aribo b’ibanze kenshi mu gushyigikira no mu gutanga amakuru mu gufasha abanyeshuri mu nyigisho, hakaba harimo imbamutima y’ubuzima bwabo, byongeye

Naho, twizera ko ku neza y’abanyeshuri bacu, abakozi, imiryango, n’imiturire dufasha, akarere kagira icyo gakora mu guhumuriza abanyeshuri bose n’imiryango ko ibyonona inyigisho bivuye ku gushira mu ngiro itegeko ry’abatari kavukire bizorwanywa ibishoboka byose hakurijwe amategeko.

Ingingo Zitangajwe n'Akarere k'Amashuri ya Leta ka Jefferson

Amashuri y'Akarere afita Ubwugamo bw'umutekano

Hafashwe ingingo:

1. Ibiro bijejwe uburezi mu karere ka Jefferson biramenyesheje ko ishuri ryose rya JCPS ari ubwugamo bufita umutekano w'abanyeshuri n'ababyeyi bafita ubwoba bw'ishirwa mu ngiro ry'itegeko ry'abatari kavukire cyangwa ivangura, nkuko biri mu mategeko.

2. Kireste ku gahato k'itegeko ry'urukiko, abakozi ba JCPS, abakozi bigenga, abakorerabushake n'abahagararira JCPS, ntibazakoresha ibikoresho vy'akarere mu ntego yo gufasha mu gufata abantu bohorwa gusa kuba badafita inyandiko zibaha uruhushya rwo gutura muri Reta Zunze Ubumwe.
3. Abakozi ba JCPS, abakozi bigenga, abakorerabushake, n'abahagararira JCPS bo kwirinda kubaza ko umunyeshuri uwariwe wese, abavyeyi biwe, cyangwa umurezi wiwe ko ari cyangwa atari kavukire.
4. Abakozi ba JCPS, abakozi bigenga, abakorerabushake, n'abahagararira JCPS bo kwirinda kubaza ko umunyeshuri uwariwe wese, abavyeyi biwe, cyangwa umurezi wiwe ko yerekana inyandiko za kavukire kiwe.
5. Abakozi ba JCPS, abakozi bigenga, abakorerabushake, n'abahagararira JCPS, kiretse ku gahato k'itegeko ry'urukiko, cyangwa baronse uruhushya rusinywe n'umubyeyi cyangwa umurezi ntibashobora kwereka umupolisi ashira mu ngiro itegeko ry'abatari kavukire cyangwa umuntu uwariwe wese amakuru ya kavukire y'umunyeshuri cyangwa y'umuryango we.

6. Abakozi ba JCPS, abakozi bigenga, abakorerabushake, n'abahagararira JCPS, kiretse ku gahato k'itegeko ry'urukiko, cyangwa baronse uruhushya rusinywe n'umubyeyi cyangwa umurezi ntibashobora kwereka umupolisi ashira mu ngiro itegeko ry'abatari kavukire cyangwa umuntu uwariwe wese amakuru y'umunyeshuri wa JCPS akingiwe n'itegeko ry'uburenganzira bwo kwiga bw'imiryango n'umuhezo.

7. Nta bapolisi bashira mu ngiro itegeko ry'abatari kavukire cyangwa abandi bashira mu ngiro amategeko barekuriwe kwinjira mu bigo vy'amashuri ya JCPS mu ntego yo gushira mu ngiro amategeko y'abatari kavukire kireste:

    a. Umukuru w'amashuri y'akarere amenyeshejwe intego yo kwinjira, n'urwandiko rusobanutse neza kugirango umukuru w'amashuri y'akarere afate ingingo ku mutekano n'imbamutima y'abanyehuri n'abakozi.

    b. Abo basaba kwinjira baha umukuru w'amashuri y'akarere ibituma n'ibyemezo bitangwa n'amategeko basaba kwinjira; byongeye

    c. Umukuru w'amashuri y'akarere aragambirira gutanga uruhushya rwo kwinjira abanjye kuja inama n'abajenama bemewe n'amategeko b'akarere.

Ingingo Zitangajwe n’Akarere k’Amashuri ya Leta ka Jefferson

Amashuri y’Akarere afita Ubwugamo bw’umutekano

8. JCPS izabandanya kugira inama no guha icyizere abanyeshuri bose, harimo abo bafite ubwoba bw’ibishobora gushikira imiryango yabo kubera itegeko ry’abatari kavukire, byongeye itarebye kavukire k’umunyeshuri uwo ari we wese, izohereza umunyeshuri afise ubwoba ku mashirahamwe azamusobanurira uburenganzira n’inshingano byabo bahabwa n’itegeko ry’abatari kavukire.

9. Nta munyeshuri wa JCPS azakwimwa serevisi iyo ariyo yose, inyigisho cyangwa izindi, harimwo imfashanyo yo kwiga kubera kavukire ke.

10. JCPS izarungikira izi ngingo abanyeshuri b’akarere n’ababyeyi n’abakozi bose, abakozi bigenga, abakorerabushake, n’abahagararira JCPS mu buryo bwihuta bwo guhanahana amakuru kandi bazazisobanura mu ndimi JCPS ikuze gusobanuramo.

11. JCPS izasubiramo amategeko n’imikorere yayo kugirango ikurikize izi ngingo.

HARI UMUHAMYA, dushizeko umukono, tukaba abagize Inama Nkuru Ishinzwe Uburezi mu Karere ka Jefferson, Kentucky, tubyemeje itariki 7 Gashyantare 2017. Izi ngingo zica zishirwa mu ngiro.

Jewe, _____, Umunyamabanga w’Inama Nkuru Ishinzwe Uburezi, ndemeje ko ibi biri hejuru ari nyakuri biri mu ngingo zemejwe tariki 7 Gsyantare 2017, mu nama Nkuru Ishinzwe Uburezi mu Karere ka Jefferson, habaye amatora umubare usabwa ukwiye.

_____ _____

Chris Brady Donna M. Hargens Ed.D.

Chairperson Superintendent